Mu vy'ukuri mu bagabo Imana Allah Yanka cane, ni inshirwarimenetse y'intahanurwa mu matati

Mu vyakiriwe na Aisha (Imana Allah Imwishimire) ku Muvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze ati: "Mu vy'ukuri mu bagabo Imana Allah Yanka cane, ni inshirwarimenetse y'intahanurwa mu matati".

[صحيح] [متفق عليه]

Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), aratwiganira ko Imana Allah Nyenimigisha na Nyenuguhabwicubahiro nta ngere, Yanka cane mu bantu, inshirwarimenetse y'intahanurwa mu matati, ikunda cane gutata, itigera yemera gushira aho ukuri gushize, maze ikaguma iharira mu kwiyamiriza ukuri, canke igatata mu kuri ariko ikimonogoza mu kurenza urugero rw'ivyo isaba, ikanaharira n'ivyo idafitiye ubumenyi.

http://sunnah.global/hadeeth/rn/show/5474